**RCC 10215**

**AMAJAMBO MAKURU MAKURU**

**Gudashikiriza itongo ku munsi wo kuganduka – guhakana uburage – gusambuza urubanza – kugaba itongo ry'umuheto umuryango ukoranye – kugabira umwana w'umurerano – kutanegura uburage – ubugabire bwabaye ntabanduka – uburage bw'itongo – urubanza rukomejwe.**

**URUBANZA**

- 1 -

RCC 10215

SENTARE NTAHINYUZWA ISHASHE MURI GASAMBURAMANZA YACIYE URUKURIKIRA : INTAHE Y'ICESE YO KU WA 25/2/2005.

HITWARA : NK.Umusozi Mubone, Komine Kabezi, Intara ya Bujumbura-Rural.

HITWARIRWA : NT. Marthe Umusozi Busenge, Komine Muhuta, Intara ya Bujumbura-Rural.

Hihwejwe imburano NK. aserukiwe na ND. Ildephonse yashikirije Sentare Ntahinyuzwa asaba ko urubanza RCA 0564 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bujumbura-Rural rusambuka kubera imvo yerekana muri urwo rwandiko ;

Hihweje iyimuriro ry'urwo rubanza, nkuko ryashikirijwe Sentare, rukaba ruvuga ruti :

Sentare ica imanza imbonankubone ;

Ishinze ibikurikira :

1. Irakiriye iyunguruzwa ry'urubanza nkuko ryagizwe na NK. ariko isanze imburano ziwe zidashemeye ;
2. Urubanza rwa Sentare y'Intango yo mu Kabezi ruhinguwe gurtya .
3. NT. Marthe aratsindiye itongo ryose yagabiwe na BA. ;
4. Ivyerekeye indishi NT. Marthe azoyitwarira ukundi gusha ;
5. Amagarama y'urubanza atangwa na NK.;

Hihwejwe urwandiko umuburanyi NT. yashikirije Sentare kw'igenekerezo rya 11/2/2004 ahinyuza ibirego vya NK.;

Hihwejwe iciyumviro c'umucamanza, yunganiwe n'umushikirizamanza, bashigikiye ko irisambuzwa ryo kwihweza mu ntahe y'icese ;

Hihwejwe ingingo y'umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa yo guhamagara urubanza mu ntahe y'icese yo ku wa 8/3/2004, agaca abimenyesha ababuranyi mu kubarungikira umutahe wo kwitaba Sentare kuri iryo sango ;

- 2 -

Hihwejwe ihamagagwa ry'urubanza mu ntahe y'icese yo ku wa 8/3/2004, aho NT. Ildephonse aserukira uwitwaye yaza adafise uburenganzira bwo kuburana (Procuration), Sentare igaca isubiza urubanza kw'igenekerezo rya 17/6/2004, mu kurindira ko urwo ruhusha ruboneka ;

Hihwejwe ihamagarwa ry'urubanza mu ntahe z'icese zo kw'igenekerezo rya 17/6/2004 na 12/11/2004, ko kuri iyo sango ya nyuma ababuranyi bashikirije imburano zabo zanditse, Sentare imaze kunyurwa igaca ishira urubanza mu mwiherero w'abacamanza kugira ngo ice urukurikira ;

Kubera ko ababuranyi bapfa itongo ryo mw'Ironke ryamuka kuri M. ;

Kubera ko NK. avuga ko sekuru M. yareze BA., hamwe na NK., akongera akamusuhora ;

Kubera ko umugore wa BA. yitwa NS. ari we yazanye NT. Marthe muri iryo tongo kuko yari umusengezana wiwe, kandi ata mwana yari yaravyaye ;

Kubera ko NT. avuga ko BA. yamuraze iryo tongo se wa NK. ariho ari, n'abaryango, ngo arico gituma Sentare yomwubahiriza ;

Kubera ko NC. Aserukira NK. , avuga ko atazi, NT., ngo no ku munsi wo kuganduka ata jambo yavuze, akasozera avuga ko itongo rya BA., ryagabiwe BK.Thomas ;

Kubera ko mu guca urubanza, Sentare yumvirije amasura atari make, akemeza ko BA., umugabo wa inasenge wa NT. yagabiye itongo yaronse kwa M., NT. ;

Kubera ko Sentare imaze kubona iryo tongo ari iry'umuheto wa BA., yashinze ko yashobora kuriha uwo ashatse, arico gituma yakomeje ubwo burage ;

Kubera ko nyene gusambuza urubanza, avuga ko uwanditse urubanza muri Sentare y'Intango ari we yasubiye kurwandika muri Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bujumbura-Rural ;

Kubera ko imvo ya kabiri ivuga ko M. yareze BA. akiri umwana mutoyi, akuze akamusohora mu kumuha itongo no mu kumusabira umugore, ngo none ata wundi muryango wa BA. atari bene M. ;

- 3 -

Kubera ko kubwacu, ababuranyi bompi bemeza ko M. yasohoje BA. itongo, ari ryo ririko riraburanwa, bene M. bagashaka ko risubira kwa M. bagahakana ubugabire bwagizwe na BA. ;

Kubera ko mw'itohozwa Sentare yagize, vyaragaragaye ko BA. yapfuye yaragavye iryo tongo ; kandi aba bene M. niho bari, ntibafata ;

Kubera ko ubugabire bwagizwe na BA. bwabaye ntabanduka, kuko yari afise ububasha bwo kuganza no kugaba iryo tongo ;

Kubera ko imvo twadondaguye aho haruguru ari iz'ido, ata n'imwe inegura ubwo burage, atari ukugerageza kubuhakana gusa ;

Kubera ko urubanza ata mahinyu rufise arico gituma rukwiye gukomezwa ;

K U B E R A  I Z O  M V O  Z O S E :

Sentare Ntahinyuzwa ishashe muri Gasamburamanza ;

Yihweje Ibwirizwa Nshingiro Mfatakibanza ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/004 ryo ku wa 14 Nzero 1980 ryerekeye iringanizwa ry'amasentare n'ububasha bwazo ;

Yihweje Itegeko-Bwirizwa n° 1/51 ryo ku wa 23 Mukakaro 1980 ryerekeye isambuzwa n'iburanishwa ry'imanza muri Sentare Ntahinyuzwa ;

Yumvise iciyumviro c'umushikirizamanza ;

Imaze gushira urubanza mu mwiherero w'abacamanza nkuko amategeko abivuga ;

Ishinze ko:

- yakiriye imburano za NK. aserukiwe na ND. ariko isanze zidashemeye ;
- Irahakanye gusambura urubanza RCA 0564 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bujumbura-Rural

- 4 -

- Ivuze ko iyi ngingo yandikwa mu gitabo c'imanza c'iyo Sentare, iruhande y'urubanza rudasambuwe ;
- Amagarama y'uru rubanza atangwa na NK. we arushijwe ;

Uko niko ruciwe, kandi rusomwe i Bujumbura mu ntahe y'icese yo ku wa 25/2/2005, hashashe umukuruw'intahe, abacamanza bafashijwe n' umushikirizamanza mukuru n'umwanditsi wa Sentare.

**KWIHWEZA URUBANZA**

Uru rubanza rwerekeye uburage bw'itongo ryamuka kuri M.Sekuru wa NK. uyo NK. nawe akaba ariwe asaba isamburwa ry'urubanza.Avuga ati BA. na NK. barezwe na sekuru M. agirako arabasohora BA. Yararongoye, hanyuma umugore wiwe NS. ,aca yizanira umusengezana wiwe NT.Marthe arererwaho; aca aheraheza avuga ko atamuzi, uyo NT. Marthe rero yobavira kw'itongo ry'umuryango.

NT.Marthe wewe, avuga ko BA. yamuraze iryo tongo na NK. ariho akiri n'abaryango ariho bari, maze n'amasura akaza avyemeza, gurtyo iryo tongo bikaboneka ko ari iryumuheto wa BA. arico naco gituma yariraze uwashatse nka NK.Marthe. Naho BA yari yarezwe na M. atari umwana wiwe w'amaraso, yaramusabiwe yongera aramusohora maze gurtyo BA. akaba yarashobora kugaba akaganza ivyiwe, agize uburage, atanakimwe cotuma bidafata, arico gituma tubona ko NK. yotaha zirayoye, urubanza RCA 0564 rwa Sentare Nkuru  y'Igihugu ya Bujumbura rural ntirusamburwe kuko ata mvo n'imwe yobisigura.